Ubuzima butunze

gushika mu zabukuru



Ubutumwa bw'ukuri

Vyakuwe mugitabo ca Gabriele,
umuhanuzikazi n'umutangabutumwakazi w'Imana:

Ubuzima bwinshi, bwinshi cane!

Turi ingenzi kw'Isi. Gukura mu myaka canke gusaza?

(Igitabo kiriho mu congereza)

1ère édition en Kirundi: octobre 2021

Titre original du livre en allemand :

Viel, viel Leben. Wir sind nur Gast auf Erde.
Älter werden oder alt sein?

Pour toute question se rapportant au sens,
l'édition allemande fait référence

© Tous droits réservés
Gabriele-Verlag Das Wort GmbH

Ni ibibaho ko umuntu akura mu myaka. Gusaza ubundi nabwo biva mu vyiyumviro n'inyifato mbi.

Ukwemera imyaka yawe bikinga gusaza. Ugusaza gutangura igihe tuguma tubabazwa kenshi n'ibibi bito bito na bininibinini vyadushikiye mu buzima bwo kw'isi.

Ubuto si igihe gusa c'urukurikirane rw'ubuzima ariko ni inyifato y'imbere idafatiye ku gihe runaka mu buzima canke ku myaka. Imyaka y'umuntu si yo ibigaragaza, igihambaye ni ico umuntu akora mu buzima bwiwe – nico cerekana kandi kikamwereka urugezo umuntu ariko mu kuba muto canke mu gusaza imbere muri we.

Ubuzima tubaho buvana n'ivyiyumviro vyacu. Kuko duhinduka ivyiyumviro vyacu, muri kazoza igihe tuzoba dufise imyaka runaka.

Umuntu akiboshwe na kameremere kiwe, ku myaka iyari yo yose afise, arashaje.

Uwiyerekeza neza ku mico myiza kandi agashishikara kuyiteza imbere, mu buto bwiwe no mu bigero vyiwe, yama ari umuyabaga n'umunyamwete, nubwo yoba ageze mu zabukuru.

Impanuro yerekejwe ku rwaruka: Nti-muzimizwe!

Uwushaka kwama akora kandi yuzuye ishaka gushika mu zabukuru ategerezwa ku-bandanya kwiga ubudasiba kandi cane cane, ntatakaze imbono n'intumbero yishiriyeho mu buzima, kuko igihe dutera intambwe imi-si yose, iyo ntumbero ihindura ishusho buri musi na ntaryo.

Ingingo y'intambuko y'imbere yerekana ubuzima bwacu kw'isi, haba mu buyabaga, mu bigero canke mu zabukuru, n'ugutahura ko icaremwe cose kiri kw'isi ari icigisho mu vy'ukuri. Uwuhagarika kwiga ntashobora gukomera mu mpwemu.

Ku kiremwa muntu n'umushaha waco, ubuzima n'iterambere ridahinduka. Ukwiga no gushikira gutyo iciyumviro hamwe n'inyifato bishasha, vyo hejuru, bitera kwamana impwemu y'ubuzima n'umubiri w'itoto.

Umuto canke umusaza, umwe wese yategerezwa kwemera ko ubuzima kw'isi ari intambuko yambere igana ku buzima bwo hejuru, kandi ko urupfu ari inzira itujana kukundi kubaho nakwo nyene ni ubuzima. Gukamisha ubuzima, ni co urwaruka n'abakiri bato bavuga, si gushaka kuvuguruza insiguro zabo z'ivyiyumviro bitandukanye, ariko ni kuronka intumbero yo gushikira ubuzima bw'ingeso n'umuco vyo hejuru no gutera intambuko muri iyo ntumbero.

*U*kwiga, ni gushikira umuco muri wewe, mu kwiyerekeza ku ntumbero yo hejuru mu buzima bwawe, kandi no gukora ibihwanye ni vyo watahuye. Ivyo bizana umutekano n'umwidegemvyo w'imbere hamwe n'inkomezi zo gutera intambwe muri iyo ntumbero.

*K*ubaho ubisobanukiwe bisigura kwiga ubikunze, kugira inyifato nziza kuri buri gihe c'ubuzima kugira tugikuremwo ivy'impwemu vyinshi bishoboka. Kuko ubwiza bw'ubuzima bwo hejuru, twoshobora kandi gutezimbere bivanye n'imyaka dufise, ntibuterwa n'imyaka yacu gusa, ahubwo kandi n'inyifato yacu y'imbere. Uwuhagaritse kwirimbura ntashobora na gato guteza imbere imico n'ingeso kandi ntashobora kwera ivyamwa vyiza mu kibano.

*U*buzima bw'ukuri ubayeho bwonyene burahambaye, si iminezero y'isi.

Izabukuru ziraduha kandi uturyo twinshi, cane cane igihe inguvu zo kubandanya imirimo zihagaze.

Igihe ivyipfuzo vyabo n'ivyo bashaka bitagikunze kandi igihe imyaka yabo ibahamagarira kugira agacerere kenshi k'imbere, abantu benshi barashobora kuvumbura rero ubuhinga n'ubunararibonye bugihishijwe gushika ico gihe, no guteza imbere impano zabo zihishijwe kugira, nimba babishaka, bazifashishe bagenzi babo.

Ubuzima, ni Imana. Ubuzima nyakuri tubaho budukingira intege nke no kwigunga mu zabukuru.

Twiyambure ivya kera! Twerekeze ku mbono nshasha! Mu yindi mvugo:

Duhindure ubuzima bwacu!

Ni twashobora gufata ihinduka ryo kubaho kwacu nka karyo ko kubona ibintu mu bundi buryo, tuzoronka rero ivyiyumviro, amahitamwo, kugira duhe ubuzima bwacu insiguro nshasha kandi nziza. Ivyiyumviro vyiza, vyari ku mutima wacu kuva kera ariko ubuzima bwacu bwo hambere butatwemerera kubishira mu ngiro, ubu noneho birafise amahirwe. Dusuzume mu guhitamwo kandi tuzobona vyihuse umwizero mushasha ushika kwiyerekwa, hamwe kandi n'umwizero ko ibintu bigiye gutera imbere.

Ni twebwe ubwacu dufise ubuzima na kazoza kacu mu kiganza. Dufate nkama ako karyo gashasha! Ico kirahambaye kandi si ubu n'aha gusa, si muri ubu buzima bwo kw'isi gusa. Ibintu vyinshi birashoboka guhinduka, imbere ya vyose duhinduke ubwacu! Muzobona ukuntu gutanga umunezero ku bandi mu buryo butironderera inyungu bizana umunezero no guhirirwa.

Uy'umwihariko igihe ufise imyaka runaka, rekera ikibanza abandi kandi kubaho kubwa mugenzawe mu buryo butironderera inyungu, ni ikintu co guteza imbere no kugityorora. Igihe umuntu akuze atahura ivyo kandi agatahura inyifato yiwe ya kamere, aba afise mu kiganza urufunguruzo rw'ubuzima butunze – no gushika mu zabukuru. Ubuzima «impera» ku nyifato yiwe rero: araronka vyinshi, ubuzima bwinshi, nkuko ivyo vyamaze kuvugwa. Kuko kubandanya kuba uwingirakamaro mu zabukuru bitungisha mu mpwemu.

Tubere maso kwama turi abagirwa inama mu mpwemu! Birashoboka igihe tudahagaritse kwiga tubikunze, kuko buri musi, nk'ingaruka, udushira imbere y'ibikorwa bitandukanye. Uwuvyemera – biciye mu bwizigirwa bw'imbere bugana k'ubuzima – azoshikira no kubiganza kandi. Kuko Imana mu kintu cose n'umufasha, umuhanuzi,

inyishu, kandi irazi kuyobora neza abana b'abantu biwe.

Ni twatahura vuba cane ko turi ingenzi kuri iyi si, ntituzohimbarwa rero n'inyifato za kera z'ubujuju zicinyiza abantu benshi. Uwubitahura yiyerekeza imbere muri we ubudasiba, ibwina mw'isoko ry'umushaha, aho Imana iba, kuko arazi ko Imana ari urukundo, ubwiza, ukwera, ubutungane, ko ari ubuzima budahera.

Kuri uko gutahura, kuri ubwo bwenge, uwubahiriza buri musi itegeko ry'inzahabu, «Ico udashaka ko bakugirira ntukigirire uwundi», azotera imbere mu buzima bwiwe. Imana iriho ibihe vyose ku bwacu, vy'umwihariko kubw'umwumwe wese, kuko turi abana bayo.

Uwuzuza ubuzima bwiwe amategeko meza ya Yesu, Kristo, ashobora kuvuga: Ubuzima ni ubuhoraho. Muri Kristo, ndi ubuzima buhoraho.

Mu vyukuri, ntawuri wenyene. Imana, Mpwemu wa Data ahoraho, ari muri twebwe.

Uwubitahura ari maso, ntiyorohereza intege nke za kameremere. Biciye mu gutahura inkomezi, urukundo n'ubwenge buhoraho, araronka vyinshi bishoboka. Aca aba rero uwushoboye gukorera bagenzi we n'Imana, kandi ashoboye gushira mu ngiro ibikorwa vy'urukundo rutironderera inyungu. Inkomezi, urukundo n'ubwenge bw'Imana bizomufasha mu bihe vyose. Umuntu yubahiriza itegeko ry'inzahabu aba kandi afise mu kiganza urufunguruzo rw'ubuzima nyakuri.

Turashobora gukura «imicafu» yose yatwinjiyemwo mu rugendo rw'ubuzima isa n'intambamyi, mu kuvyihana, mu gutunganya no mu kudasubira vya bindi nyene, kugira Mpwemu ahoraho, we rukundo, ashobore kudufsaha no kutuyobora.

Dusabe rero imfashanyo kuri Kristo! We, akunda kandi yipfuza na ntaryo gufasha umwumwe wese muri twebwe, azokomeza inyiyumvo zacu nziza, zijanye n'ubugombe bw'Imana, kandi azokabura imyiyumvire mito mito y'ubuzima bwacu bw'imbere, bw'igiciro. Nuko, n'ahacu gufata ingingo yo gutera intambwe no guhindura ibikenewe. Kristo ntiyivanga na rimwe muguhitamwo kwacu ni kimwe mu bihambaye mu murage wacu uhoraho.

Dutahure ko ugutinya indwara bidushikana ku ndwara. Dutegerezwa rero kwimenyereza kwizera cane Imana, Uhoraho, kandi twibohore ivyiyumviro vy'ubwoba, inzigo n'urwanko.

Ntucike intege! Hindukirira buri musi, kenshi gashoboka, kuri Mpwemu atagira iherezo w'urukundo n'imbabazi muri wewe. Arazi imyitwarariko yawe. Arazi intege nke n'inkomezi zawe. Senga kandi umwiyegurire! Ikiva ibwina cane mu mushaha wawe n'umwidegemvyo, umunezero, ukwezwa no kuroranirwa. Ni inyishu y'Imana. Ubwoba bwa kazoza, nk'akarorero kuba intabwa, ibibazo n'ingorane, bihinduka rero inyiyumvo y'umutekano uva, nawo, ibwina cane muri wewe nyene, k'Uhoraho afise ubuzima bwawe mu biganza vyiwe – Data w'ibihe vyose.

Igihe twoshobora kwiyerekeza gusa ku mitima y'urwaruka kandi tukavuga: kamisha umwanya wose w'ubuzima bwawe mu gukora no mu gukomera kwawe mu Mpwemu! Kuko ugukomera mu mpwemu bizana umunezero n'ukwuzuzwa mu zabukuru.

Buri musi ni uwa buri muntu kugira atahure ibigize ubuzima bwiwe – Ivyo umusi umwereka – kandi kugira abisuzume ashobore kubonamwo iciza, akibemwo kandi agiteze imbere. K'uwushaka kubaho gutyo, arabona ko buri musi wuzuye inkomezi. Si umusi w'uburuhe, ariko ni umusi uzanye kwongerwa inkomezi zidufasha gutera intambuko ikurikira tuja k'ubuzima nyakuri, ni yo ntambuko dutera uyu musi.

Intege nke no kubura inkomezi vy'umubiri biva mungingo, yo kwanka kwemanga ingorane duhura nazo mubuzima nk'igikorwa co gukora no gutorera inyishu, ni ukuvuga ukudatahura ko ari ibihe n'ibindi bishaka guhinduka.

Gusaza mu mpwemu ntibibaho! Uwufata icemezo co kwiyumvamwo kuvuka ubwakabiri buri musi mu kwemera umusi wiwe nkuko ugenze, uwo aziyumvamwo umugende w'inkomezi z'ubuzima ziri mu musi.

Umutima w'umuntu abayeho yugurutse amaso utangura gutera neza. Impwemu y'ubumwe ikanguka muri we biciye mu nyiyumvo y'umunezero n'urukundo rw'imbere. Azofasha abinezererewe ibikoko biri mu mubabaro b'abagenzi we baruhijwe n'uruhagarara n'ibibazo. Aziyumvamwo ibimera mu bwiza bwavyo vyose azobinezererererwa kandi aziyumvamwo akayaga gakomoka kuri Mpwemu umuremyi, gahuhuta kandi ibwina m'uwuri kurugendo ruja k'ubumwe. Ni vyo bivamwo kwubaha ubuzima, ari bwo Mana, no kubaho mu munezero, mu ntumbero yo gukorera abandi.

Ku bantu benshi bageze mu zabukuru haravuka icipfuzo co gusenga. Naha kandi, n'ukwiga gusenga, kwiga gusenga atari gusubiramwo ibisabisho biraho. Gusenga ni ukubibamwo, isengesho rihinduke ubuzima. Uwusenga gutyo, ntaba agikeneye urusengero rwubatswe n'amabuye, ariko akeneye icumba gitoyi c'agacere, nkuko Yesu yabivuze, Kristo, kugira yiherere ibwina cane muri we ahari Impwemu y'Imana kandi imurikira umushaha.

Gusenga mu kwizera kwimbitse bisigura kuba uwufise agacerere, kuko mw'isengesho ryuzuye ukwizera havuka umwizero no kwiyegurira ku Mana. Kwihebera burundu kw'isoko rikuru ridakama ry'umuco muri twebwe, ahari impwemu y'Imana ibwina cane mu mushaha wacu, ifasha uwushaka gusenga vy'ukuri, kuko gushira mu ngiro ni bwo buzima. Ubuzima bwerekejwe neza ku ntumbero iruta izindi budushikana ku buzima butunze. Rero, imisi idasobanutse kandi itarimwo umuco ya kahise irazimangana. Kuri wa muntu asenga, umuco uraka na ntaryo,

ahinduka uwuhumekerwa cane, mbere iki ciyumviro gikurikira kirakura muri we: Ngenda ngana ubuzima bw'agaciro, ku kubaho kwejejwe.

Abakiri bato benshi biteze ubwenge kubababanjirije, ubwenge bufatiye ku myaka, ataco buhindura kandi butabasha gutora ibituma vyoroshe canke bigoye.

Ubwenge nyabwo, ni ubutunzi buva mu bushakashatsi twagize budufasha gutahura vyimbitse ukuri kw'ubuzima, twovuga ivyo twaciyemwo na kameremere k'umuntu. Ubwenge nyakuri butanga umwidegemvyo kuri mu genzawe. Buzana imigenderanire na mugenzawe hubahirijwe itegeko ryo kwihitiramwo ku giti ciwe, mu kwihangana, kubabarira no kuba maso. Burafise agacerere mu gihe kibereye no kuba maso. Ntibuca imanza kandi ntibutsindisha.

*U*musomyi waka gatabu yitonze azotahura ko bidaterwa n'imyaka ahubwo biva kunyifato.

Bibemwo ni ho uziyumvamwo ubuzima bwinshi, bwinshi cane!

Gukura mu myaka bisanzwe ari kimwe mu bigize amategeko y'ivyaremwe. Nuko, uwutahura ibango ryiwe ry'ubuzima ntazosaza no mu zabukuru. Umwe wese aza mw'isi afise ico ategerezwa gukora muri ubu buzima. Ibitandukanye bigize iryo bango biza kuri we umusi ku wundi. Hahirwa uwubitahura, kuko gutyo azokomera!

Uwuharanira ubumwe kandi akubahiriza ibwirizwa ry'inzahabu mu buzima bwiwe ntazorwanya mugenzi we; ntanubwo azica ibikoko, ntazorya imibiri yavyo, kandi ntazohohotera isi Mawe. Abantu bafise uko gutahura ntibazoba banyamwigendako kandi bazobona gushika mu za bukuru ukworoherwa mu buzima bw'imbere mu misi yabo – izoba rero vy'ukuri yuzuye cane ubuzima, ubuzima bwinshi.

Udutabo turi mu Kirundi dutangwa k'ubuntu



- Yesu n'ibikoko
- Imana muri twebwe
- Nturere amaboko! Komeza!
- Aho babiri canke batatu bakoraniye mw'izina ryanje, ndi hagati muribo
- Kuronka imfashanyo mu ngwara no mu mubabaro
- Inyigisho yo Kumusozi Urufunguruzo rw'ubuzima bw'impwemu bwuzuye

Amabwirizwa Cumi Y'Imana

yatanzwe biciye muri Mose,
asiguwe mu mvugo y'uyu musi



Ni gute twotahura amabwirizwa cumi no kuyashira mu ngiro mu buzima bwa misi yose? Amabwirizwa cumi n'impanuro zihambaye z'ubuzima zitujana ku mahoro y'imbere no ku mwidegemvyo, kandi zidufasha kwiyegereza Imana intambuko ku yindi, Mpwemu yidegemvya, muri twebwe no mugifise ubuzima cose. *(Impapuro 40)*

Utu dutabo turaboneka kandi mugifaransa no muzindi ndimi nyinshi!

Infos en français par WhatsApp: +49 159 08 45 45 05
Gabriele-publishing.com



Gabriele Publishing
The Word

Max-Braun-Straße 2 • 97828 Marktheidenfed • Germany

www.gabriele-publishing.com